# 236: Umukiza wac' ubwo yavukaga

1. Umukiza wac' ubwo yavukaga, Nta cumbi yabonye, keretse mu nka. Nubwo bamuhej' i Betelehemu, Twe kumwim' icumbi: twe, tumwakire!

2. Marayika yaj' asang' abungeri; Izo nkuru nziz' azibabariye, Bagend' uwo mwanya kumusingiza. Natwe twe gutinda, tumusingize.

3. Na ba banyabweng’ aho baboneye Ya nyenyer' irang' Umwami Krisito. Bamusanze vuba, ihayobora, Bamutur' ibyiza bamuzaniye.

4. Ko nd' umwana muto, namutur' iki ?Simfit' izahabu nk'abanyabwenge, Nta n'intama mfite, nka ba bungeri. Mfite kimwe gusa : muh' umutima!

Visit us at burundi.indirimbo.com